REPUBLIQUE DU BURUNDI

COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

# IKIGANIRO KIREMESHEJWE N'UMUGWI W'IGIHUGU UJEJWE GUTOHOZA UKURI N'UKUNYWANISHA ABARUNDI (CVR)

## « ABARUNDI N'ABANYAMAHANGA BAKINGIYE ABANDI MU 1972 : BABITUMWE N'IKI ? »

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

***Bujumbura, Hôtel Source du Nil, 12 Mukakaro 2023***

Banyakubahwa Bashingamateka,

Banyakubahwa Bakenguzamateka,

Banyakubahwa Bashikiranganji,

Banyakubahwa Mwese muri hano, umwe umwe wese mu cubahiro n'icicaro ciwe;

Bashingantahe,

Bapfasoni,

Bavyeyi,

Bamenyeshamakuru mwese,

1. Ibwirizwa ryo ku wa 6 Munyonyo 2018 rishinga rikongera rigatomora amabanga y'Umugwi CVR, ridutegeka kwerekana Abarundi n'Abanyamahanga bitangiye abandi mu kubakingira, mu bihe vy'urwimo igihugu cacu caciyemwo. Nico cadukoranije uno musi, kugira tubabwire, muri bike tumaze gutohoza « Abarundi n'Abanyamahanga bakingiye abandi mu rwimo rwo mu 1972 » Mbega abakingiye canke abakijije abandi babitumwe n'iki? »

2. Ariko imbere yo kuduga kw'ijambo, nagomba kubashimira mwebwe mwese mwitavye kino kiganiro. Kubona muri kumwe natwe, bitwereka ko mwitayeho ibikorwa vy'umugwi CVR. Turabona kandi ko mufise inyota yo kumenya ivyo tugenda turatohoza.

3. Umugwi CVR uramaze gutohoza ibitari bike. Uramaze kumenya ibitari bike ku vyabaye imbere y'umuzo w'abazungu. Uramaze kumenya ibitari bike ku vyabaye ku ntwaro z'abanyamahanga. Uramaze kumenya vyinshi ku vyabaye mu gihe Uburundi bwariko bwitegurira ukwikukira. Hari n'ubwicanyi bwinshi bwakurikiye ico kiringo, tutibagiye ibara ryaguye ku ntwaro za Repuburika ya mbere, iya kabiri n'iya gatatu.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

4. Iryo bwirizwa twavuze, riradutegeka gutohoza gushika no ku bwicanyi no ku bindi vyaha bikomeye vyagiye biraba kandi vyisubiriza, bigahitana abantu benshi, gushika mu mwaka w'2008. Ariko nkuko twabitanguye mu ntango z'uno mwaka, twipfuza kuremesha ibiganiro vyinshi nk'ibi, bibazatsurira buhoro buhoro ku vyo Umugwi CVR ugenda uramenya.

5. Ubwo kumenya abakijije abandi biroroshe? Abakijije abandi babonwa gute mu kibano? Abakijije abandi biyumva gute mu miryango yabo? Aha rero twipfuza gutanga umuco w'ibanze:

- Ubwa mbere: Abakijije abandi mu rwimo ntibabonwa kumwe mu gihugu no mu miryango; bamwe usanga bazwi kandi bavugwa neza; abandi bazwi kandi bavugwa nabi; hari n'abo baguma bikeka ko batakoze ivyiza bivuye ku mutima.
- Ubwa kabiri: Mu bakoze ivyiza vyo gukiza abandi tubashikiriza uno musi, ni uturorero gusa. Ni abo dufitiye igishingantahe c'uyu canke uyundi, yashikirije umugwi CVR.
- Ubwa gatatu: Turazi ko hari abantu benshi bakijije abandi umugwi CVR utaramenya. Iki kiganiro c'uyu musi kigamije gutegura Abarundi bose kwitegurira kubwira umugwi amazina y'abarundi canke abanyamahanga bitanze mu gukiza inzirakarengane zari zigeramiwe mu bihe vy'ubwicanyi.
- Ubwa kane ari bwo bwa nyuma: Mu mezi ari imbere, dukurikije ibwirizwa rigenga umugwi CVR hazoba Rusansuma izofasha igihugu kumenya abarundi bose bagandaguwe mu 1972, abagiye mazi mayongo n'abashoboye kuba inkingi z'amahoro n'ubuntu mu gukiza abandi. Rusansuma nk'iyo izoba no ku bundi bwicanyi bwabaye mu gihugu, twisunze ibwirizwa rigenga umugwi CVR.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

6. Mu bihe twariko turatohoza ku bwicanyi bw'ihonyabwoko ryo mu 1972 n'1973, Umugwi CVR warumvirije abantu benshi b'inararibonye, bagiye baratwiganira ko hari Abarundi n'Abanyamahanga bahagarariye Ubuntu, mu gihe abandi bariko baramara inganda. Ubwo butwari bwabo, ni bwo tugomba kubiganira uno musi.

7. Ikibidutuma, ni igiki ? Ni uko twasanze izo nkingi z'ubuntu, zabikoreye mbere abo badasangiye ubwoko, kandi bakabikora bazi neza ko nabo nyene bashobora kuhasiga ubuzima. Mu vyo abaduhaye amakuru bavuze, be no mu vyo twasesanguye, dusanga koko abo bantu baritanze, na burya kurokora ubuzima bw'abandi muri ico kiringo, vyari bigoye cane. Hari mbere benshi babizize : bamwe baricwa, abandi barapfungwa ; hari n'abahakuye urwanko rw'abo basangiye ubwoko, abandi nabo baragirirwa nabi ku buryo bwose.

8. Mu misi iheze Umugwi CVR warerekanye ingene ubwicanyi bwo mu 1972-1973 bwabanje guhitana Abatutsi bo mu bumanuko bw'Uburundi ; mu nyuma bugatandukira Abahutu mu ntara zose z'igihugu. Hari n'Abatwa bagandaguwe mu gihugu ; cane cane muri Arrondissement ya Mwaro y'ico gihe. Umugwi CVR warerekanye uburemere bw'ubwo bwicanyi, uratangaza icese ko ryabaye ihonyabwoko ryakorewe Abahutu, hamwe n'ubwicanyi ndengera-kamere bwakorewe Abahutu, Abatutsi n'Abatwa. Umugwi CVR wasanze hari Abatutsi batari bake bemeye kwitanga kugira bakingire Abahutu bariko baricwa mu gihugu cose, nk'uko hari Abahutu bakingiye Abatutsi mu bumanuko bw'Uburundi.

## DUHEREYE MU NTARA ZO HAGATI MU GIHUGU

9. Mu ntara kama ya Kirimiro, aho Umugwi CVR watanguriye amatohoza mu mwaka w'2020, wasanze ivyatumye Abatutsi bamwe bamwe bakiza Abahutu mu gihe c'ihonyabwoko, ari kubera ubucuti n'umubano mwiza bari bafitaniye. Benshi muri irya myaka ya 70, bari babanye neza. Ni vyo vyatumye **Kaburente Damien**, umugoronome w'Intara ya Gitega aririra umukozi wiwe, akamukingira kugira ntibamutware kumwica. Yabwiye abicanyi ati : « pfuma mutwara jewe ! Amaherezo, uwo mukozi baramuretse, ubuzima bwiwe buba burakize ».

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Uwitwa **Barakekenwa Joseph**, umudandaza w'Umuhutu yakorera i Buhiga mu ntara ya Karusi yarakijije Abahutu benshi bari bageramiwe n'abasirikare. Yaba ahitwa i Magamba muri Paruwasi ya Gitaramuka ; akaba adandariza i Buhiga. Yari afise imodoka, akababwira ati : *« Mbega bene mama, ni kuki mwitaba izo convocation ku makomine? Ni kuki mwihuta kwinjira muri camionnette yanje mutazi iyo mugiye ? Ni mutahe imuhira. Ibizovugirwa mu nama muzoba murabimenya.»*

10. Umugwi CVR waramenye kandi ko hejuru y'ubucuti Abahutu n'Abatutsi bari bafitaniye, hari n'abakingiye abandi kubera inyungu : ibiturire, amafaranga, inzoga, inka n'utundi tuntu bemerwa. Ariko ngo si yo yari imvo nyamukuru. Abahaye amakuru umugwi CVR bemeza nyabuna ko Abatutsi b'umutima mwiza banka ko Abahutu bicwa bazira ubusa, n'ubwo ngo hari abanse gutanga abo Bahutu kuko babona ko boca babura ababakorera mu mirima.

11. Abo bantu bemeye gukiza abandi, Umugwi CVR wabasanze mu gihugu cose. Aha twovuga nka **Patiri Roger Mpungu yari Patiri Mukuru i Gitega** (yahavuye aba Umwungere wa Diyoseze ya Muyinga) canke **Nkurikiye Pierre** yari Umuhanuzi canke Conseiller w'ahitwa Kibande (Komine Giheta, Intara ya Gitega). Uyu ni umututsi yanse ko Abahutu bafatirwa ubusa mu karere yatwara. Ivyerekeye Nkurikiye Petero vyabaye agatangaza ! Namwe ni mwiyumvire umutware wo mu nzego z'intango yemera guhangana na Musitanteri wiwe, Duragu Antoine, akabamba ati : « Nta muntu n'umwe wo ngaha iwanje nemera ko ujana » !

Muri Arrondissement ya Karusi hari uwitwa **Nzokirantevye Denis** yakijije ubuzima bwa **Makobero Révocat** (Uyu Makobero yarabaye umwigisha mu mashure y'intango ; arongera araba n'Umushingamateka mu 2005).

12. Muri iyo Ntara kama ya Kirimiro, hari umusaserdoti yitwa **Gahebe Karoli,** yari Patiri mukuru muri Paruwasi Makebuko. Tubibwirwa n'umutama ari hano yakijije. Nawe si uwudi, ni **Firmato Nahayo**, yahavuye aba umushingamateka mu 1993.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Abantu benshi bemeza ko Patiri Gahebe Karoli yabaye umweranda mu kugerageza gukingira abantu mu 1972 !

Uwo musaserdoti, kubera ibikorwa vyiza vy'urukundo yakoze, abakristu n'i Makebuko baramwubakiye icibutso. Ico cibutso kiri kw'ibarabara rikuru rija mu Ruyigi, kikaba canditse kongo : *« Patiri Karoli Gahebe, Icabona ca Yezu-Kristu ».*

## REKA TUVE MU KIRIMIRO TUJE MU BUMANUKO BW'IGIHUGU

13. Nkuko tumaze kubisigura kenshi, ubwicanyi budasanzwe bwo mu 1972 bwatanguriye iyo mu ntara z'ubumanuko. Ico gihe Makamba, Rumonge na Bururi vyari bigize intara imwe ya Bururi. Mu Mugwi CVR, haramaze kumenyekana abantu benshi bahagarariye ubuntu, barakiza abo badasangiye ubwoko, Abahutu n'Abatutsi bari bageramiwe.

14. Uburorero ni bwinshi. Ni nk'uwitwa Niyonkuru Pamphile yakijijwe mu 1972 n'Umututsi yitwa **Thérence**. Niyonizigiye Jean, nawe nyene, ni Umututsi w'i Rabiro, muri zone Vugizo, Komine Vugizo yemeje ko Abatutsi bitwa **Kubamba**, **Bazombanza**, **Minani Jean Patrice** na **Peretz** bakijije Abahutu benshi bagira bicwe.

15. Umugwi CVR waramenye ko hari n'abasaserdoti b'abazungu bakijije abantu bari bageramiwe muri Diyoseze ya Bururi. Muri abo bapatiri, umugwi umaze uwari Patiri mukuru **Albert Engel**, bamutazira **Mankwepa**. Yari arongoye paruwasi ya Martyazo.

16. Hariho kandi n'Abatutsi bakikijwe n'Abahutu, nka Kavuyimbo w'i Vugizo n'abahungu biwe babiri : Gaspard na Anselme. Bakijijwe n'Umuhutu yitwa **Raphael Baricako.** Abo Batutsi bari bageramiwe, bahabona uwo mushingantahe Baricako.Hari n'uwundi yitwa Bizabigomba, Umututsi yakijijwe na **Daniel Mpanye** be na **Dawudi**. Aba babiri nibo bamunyegeje. Iyo nkuru yaramenyekanye cane i Vugizo.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

## TUGARUKE HANO I BUJUMBURA NO MU MICUNGARARO YAHO

17. Umugwi CVR wararonse amakuru menshi avuga Inkingi z'Ubuntu, intahe z'abakijije abandi mu 1972. Akarorero ni **Joseph** yari umulaborantin kuri FOREAMI n'ubu agikundana cane n'abo yakijije. Haravuzwe cane n'umushingantahe yitwa **Gateretse Basile** yari Musitanteri wa Komine Isare na **Patiri Nkanira Pierre**, bakijije abantu, tutibagiye uwo bita **Patiri Gustave Seigneur,** yari arongoye vy'imfatakibanza Koleji ya Mutima Mweranda/Collège du Saint Esprit. Ivyo vya Patiri Gustave Seigneur twabishingiwe intahe na **Philippe Nzobonariba, Léonce Sinzinkayo na Déo Ngendahayo** biga kuri iryo shule ico gihe.

18. Hari uwundi muyobozi yitwa **Antoine Habonimana** yahavuye aza gutwara aho kuri Collège du Saint-Esprit. Uwo Antoine Habonimana, yari Umututsi yaturuka i Gisozi mu ntara ya Mwaro. Yagenwe kuba Umuyobozi wa Collège du Saint Esprit ukwezi kwa Rusama 1972 kugira guhere. Abazungu bari abarezi bari bahavuye. Uwo Antoine Habonimana ntako atagize kugira ntibamutwarane abanyeshure b'Abahutu.

19. Abakijije abandi hano mu gisagara ca Bujumbura ni benshi. Aha twovuga nk'umunyeshule w'Umututsi yitwa **Mukuri Pierre Claver**, yaja araburira bagenziwe b'Abahutu bo kuri ETS Kamenge ko hari umugambi wo kubafata. Ivyo rero yarabihaniwe, kuko bimaze kumenyekana, yarapfunzwe. Umuntu yitwa Kenese Jacques yigeze kurongora Intara ya Bubanza yarabishingiye intahe muri CVR. Ni nawe yatubwiye ivy'umu zaïrois/Kongo yitwa **Shindano Mulamba**, yabatabaye, we na Domisiyano Ndayizeye (yahavuye aba Umukuru w'igihugu cacu hagati ya 2003 na 2005).

Uwitwa Jacques Kenese yarabwiye Umugwi CVR ko hari n'umufurera yitwa **Florez**, yari umuyobozi wa ETS Kamenge. Yari umubiligi (Belge), kandi yahavuye yirukanwa mu Burundi azira ko yanse ko abasirikare babandanya gufata abanyeshule b'Abahutu kuri iryo shule.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

20. Mu mwanya uheze twari twavuze umupatiri yitwa **Pierre Nkanira,** yari Umuyobozi w'iseminari ntoyi ya Kanyosha. Uwo musaserdoti, ntaco atakoze kugira akingire abanyeshule biwe. Mu gihe ahandi hano i Bujumbura, abasoda binjira bagafata abanyeshule b'Abahutu bagatwara, Patiri Nkanira we yarabarahiye ko ata mwana n'umwe wo mw'iseminari ya Kanyosha bakorako. Ni na co catumye iryo shule riguma mu mutekano ntangere. Ivyo twavyiganiwe na Adrien Sibomana, yahavuye aba Umushikiranganji wa mbere wa Leta y'Uburundi, hagati y'1988 na 1993. Ico gihe, Adrien Sibomana yiga kuri iyo seminari ntoyi ya Kanyosha.

21. Ahandi Umugwi CVR wamenye ko habonetse umushingantahe yakijije abanyeshule bari bageramiwe, ni kw'Ishule Nderabigisha yo mu Nyakabiga. Uwo mushingantahe yitwa **Ntemako Pascal**. Yari yaje gusubirira uwitwa Boyayo Abraham bari bahejeje kugandagura. Yari Umuyobozi mukuru mu Bushikiranganji bw'indero. Ivyo twavyiganiwe n'uwahoze arongoye Intara ya Muramvya **Laurent Nicimbesha**.

22. Tugaruke ku bihebeye Imana bakijije abandi. Tuvuge Patiri mukuru w'Iseminari nkuru ya Bujumbura. Ico gihe yari irongowe na **Patiri Ruhuna Joachim**, Umuntu w'Imana, yahavuye aba Umwungere Mukuru wa Diyoseze ya Gitega. Mu bo yakijije harimwo Maître Fabien Segatwa. Ico gihe yiga kuri Université, kandi yari avuye mu bitalo naho yari akigwaye. Abasirikare barafashe abanyeshule b'Abahutu bose baba muri Home bita "Poulailler", ku Mutanga, hasigara Segatwa Fabiano wenyene. Ingene yarokowe na Musenyeri Joachim Ruhuna, ni we wenyene yobitwiganira.

23. Hari uwundi musaserdoti, yahavuye aba Umwungere wa Diyoseze ya Bururi. Ni **Musenyeri Bernardo Bududira**. Mu 1972, yari Icariho ca Musenyeri (Vicaire général). Abanyeshule b'Abahutu biga kuri Ecole Normale ya Rutovu, iyo batahabona Musenyeri Bududira, ngo bari kuba nka ba bana bakukumbwa kuri Ecole Normale ya Kiremba muri Bururi. Ivyo twabibwiye na Hon. Alphonse Nahindavyi- Ndanga.

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Ivyo vyaremejwe n'abandi bantu benshi baje gushingira intahe Mgr Bernard Bududira. Muri abo harimwo uwitwa Sébastien Rizi yavuze ko niyaba akiriho, abikesha Imana hamwe na Mgr Bernard Bududira, hamwe n'abapatiri bo mu Rumeza.

24. Mu bitanze mu 1972 kugira ubuzima bw'abantu bari bageramiwe ico gihe butabaruke, hari uwundi musaserdoti yitwa **Nzeyimana Gérard**, yari arongoye iseminari ntoyi ya Buta.Uwo muntu w'Imana, ntaco atakoze kugira ntihagire n'umwana n'umwe mu bo areze agwa mu minwe y'abicanyi.

25. Aha twovuga na Kinangike yavuze ko yakijijwe n'Umututsi yitwa **Rwahira Etienne**. Yabwiye abicanyi bari baje kumufata ngo ntimwikore mu nda, ngo Kinangike n'Umututsi nka twebwe. Babona kugenda. Hari na Bununagi, Umuhutu yakora ku bitalo vy'i Bururi yakijijwe n'uwitwa **Vyumvuhore** w'i Kiremba. Abandi bakoze igikorwa c'intibagirana aho mu ntara ya Bururi, ni nka **Rurakumbuye** wo ku Mugozi be n'umutware yitwa **Kariyo**, mu gukiza Abahutu bari bageramiwe. Mu kubahungisha, ngo babacana hepfo y'ibitaro vya Bururi, hafi y'ahategurirwa imfungurwa z'abagwaye.

26. I Bururi, abakijijije abandi ni benshi. Nk'uwitwa Birangoye Pierre na Ntandikiye, ni Abahutu bakijijwe n'Umututsi yitwa **Ndabahariye** w'i Kiremba. Yababwira ati : « Mwa bagabo mwe, ntimuze musubire kuja kw'irondo, kuko hari umupolisi araho ahiga kuza kubafata ».

27. Hari n'abandi rero bagize umutima w'impuhwe, nka : **Piyo Muganga**, **Vyambwena**, **Ntabiraha**, **Ngendahimana Abel**, **Borohe Paul**, **Mpfubusa Antoine**, **Gikoni Alberic, Nzikoruriho**, **Rusimbi François** na **Ntagorama** yari umukonseye ku mutumba ; **Simbare** yari arongoye ahitwa Nyatubuye na Taba, **Karimbi Gaspard** mwene Simbare, be na **Maurice**, **Bamvuna** na **Kagoma**, tutibagiye uwitwa **Condo** bivugwa ko ku giti ciwe yakijeje Abahutu 30.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

28. Umugwi CVR waramenye kandi ko Ambassadeur **Mukuri Jean Baptiste** yakingiye umwigisha w'Umuhutu yitwa Tsemberako Michel yaba mu Rukina. Hari n'umushingantahe yitwa **Venasi Kagajo**, umuvyeyi wa Patiri Kagajo na Colonel Sinzoyiheba Firmin yabaye umushikiranganji w'ukwivuna abansi. Nawe nyene yaravuzwe ko yakingiye abantu benshi. Mu bo yakijije harimwo uwitwa Ntahomvukiye. Kandi ngo yarabipfungiwe amezi ashika 9, azira ko yahagarariye uwo Ntahomvukiye Abatutsi bagira bamwice. Aha twovuga n'uwitwa **Buziya Salvator** yakingiye abitwa Nimbona Léonidas, Nibigira Cyprien na Turutwanayo Buruno.

Ubwo ni ubrorero gusa tubahaye.

## UBU NAHO TUJE MU NTARA Z'UMUGAMBA

29. Umugwi wacu CVR warakoreye muri ako karere umwanya utari muto. Waraharonse amakuru menshi ajanye n'abantu bitangiye abandi kugira ubuzima bwabo burokoke. Aha ni cane cane mu ntara za Muramvya na Mwaro. Muri abo bakijije abandi, haravuzwe nk'uwitwa **Wambeba** hamwe n'uwitwa **Bututu Pierre** muri Kayokwe ka Mwaro.

30. Haravuzwe n'umupolisi yitwa **Simbarokotse Simon**. Mu bo yakingiye hakaba harimwo uwitwa Singirankabo Joseph. Hari kandi **Niyondagara Liberat**, tudasize inyuma **Biduga Adelin** yari musitanteri i Kiganda. Haravuzwe cane **André Sururu**, yari musitanteri i Mbuye. We n'umuhanuzi wiwe **Juvénal Gatama**, ngo ntaco batakoze kugira bakingire Abahutu bari bageramiwe. Ivyo vyose ngo bakaba babikora bihisha kuko Bulamatari w'umusoda yatwara iyo ntara ya Muramvya atabaha n'agahengwe.

**31.** Abandi bavuzwe muri iyo ntara, n'ubu bacikugurwa mu gukingira abantu bari bageramiwe mu 1972, ni nka **Patiri Mulumba Mathias** yari umusaserdoti kuri Paruwasi ya Kivoga, be n'uwitwa **Miringiro Thomas.**

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

32. Ibwirizwa rishinga umugwi CVR ridutegeka kuvuga n'abanyamahanga bakijije abantu bari bageramiwe. Aha rero twoca tuvuga na **Paul Phornburg**, yari Umuyobozi w'ishule Ecole Normale ya Kibimba. Ni we mu 1972 yakingiye ubuzima bw'abigisha b'Abahutu. Muribo, hari uwitwa Kamana Onésphore, yavuye muri Leta zunze ubumwe za Amerika, aza kumushingira intahe muri CVR. Yavuze ko Bulamatari wa Gitega, Bizimana Septime, atari yoroshe. Kugira uwo mwigisha Kamana Onesphore akire, naho yari yamaze gukubitwa agashaya, yamaze mbere gushikanwa i Mwaro mu bicwa, haje indege ya kajugujugu, kubwa Paul Phornburg yatatse umukuru w'igihugu ngo uwo mwigisha ntiyicwe.

33. Kw'ishule ryisumbuye Lycée Kiganda naho, haravugwa ababikira **Nini**, **Noëlla** na **Tonia** bakingiye abanyeshule baho bagira bafatwe ngo bajanwe kwicwa. Muri komine Rutegama naho nyene haravuzwe Umututsi yitwa **Nduwimana Dismas** ataco atakoze kugira akingire Abahutu bariko bararonderwa ngo bicwe mu 1972.

34. Mu matohoza Umugwi CVR wagize mu ntara ya Mwaro, wasanze ubwicanyi bwo mu 1972 bwakurikirwa n'ugusahura ivy'abishwe bitwa abamenja. Aha rero ngo : ivyo mu nzu baratwara, inka bagatwara, impene bagatwara, … abana ba se biswe abamenja bagaturatuzwa ku mashule. Ariko no muri ivyo bihe bigoye, harabonetse Abatutsi b'umutima mwiza banyegeje Abahutu bariko barahunga. Abo nabo ni nka **Gahagi Yohani** yanyegeje uwitwa Kanyeshamba. Twavuze n'uwitwa Bututu Pierre azwi cane i Gisozi ko yakijije Abahutu benshi.

35. Muri izo nkingi z'amahoro n'ubuntu, Umugwi CVR waramenyemwo n'abagore bagiye baranyegeza abantu bageramiwe. Aha twovuga nk'umupfasoni yitwa **Barutwanayo**, Umututsikazi yanyegeje uwitwa Caraziwe Pierre.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

## UBU NAHO TUJE MU BURARUKO : MU NTARA YA MUYINGA NA KIRUNDO

36. Naho vyavuzwe ko abari barongoye intwaro muri ico gihe c'urwimo rwo mu 1972 bari kw'isonga ry'abahohotera agateka ka zina muntu, hari ba musitanteri bamwe bamwe bagize umutima w'impuhwe, barakiza abantu. Nk'aha twovuga uwitwa Martino yahungishijwe na Musitanteri wa komine Buhinyuza. Aho ni mu gihe abantu bose b'abagabo bakuze, bategekwa kuja mu marondo gutegera abo intwaro yita ba Mulele. Benshi mu Bahutu, bafatirwa aho mu marondo.

37. Abaje guha amakuru umugwi CVR barashingiye intahe uwo musitanteri wa komine Buhinyuza, **Rucumuhimba Laurent.** Uwo mutware ni we yakijije abadandaza bamwe bamwe nka Ndondogori bariko bahigwa buhongo n'uwari arongoye umugambwe w'abadasigana UPRONA muri iyo ntara. Ariko hari n'abandi benshi batagize ayo mahirwe, ari nabo benshi barasiwe inyuma y'ibiro vya komine Buhinyuza, bagatabwa mu binogo rusangi 3 vyavuyemwo ibisigarira vy'abantu bababa 130.

38. Hari n'abandi bakozi ba Reta bagize imbabazi, bakababazwa n'ingene aba JRR baguma baza gufata abantu bazira ubusa. Muri izo nkingi z'ubuntu zo mu ntara ya Muyinga, haravuzwe umunyabigega wa komine yitwa **Zéphirin**, mubo yakijije hakaba harimwo uwitwa Joseph Miburo. Ni nawe yaje kumushingira intahe muri komine Butihinda umugwi CVR uriko urakorerayo amatohoza.

39. Ku mutumba wa Rwingoma, nta bantu benshi bahafatiwe, kuko umukuru w'uwo mutumba yitwa **Siméon** yaranse ko abantu biwe baja kwicirwa ubusa. Ni muri ubwo buryo Nyabenda Philippe n'abandi bagenzi biwe bakize, ku bw'uwo mukonseye Siméon. Hari n'uwundi mucikacumu yitwa Mbwiruwumva Jean yashingiye intahe umukonseye yitwa **Kabereka Antoine**.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

40. Muri komine Vumbi, muri Arrondissement ya Kirundo ibara ryaraguye mu 1972. Ariko ngo « Imanga ntimarira Imana ». Uwitwa Baransananiye yarashoboye kurokoka. Yari umupolisi w'Umuhutu, kandi yemeza ko yarokowe na Musitanteri w'iyo komine nyene bivugwa ko yariko arahiga Abahutu.

41. Aho nyene mu ntara ya Kirundo, haravugwa Umututsi yitwa **Emmanuel Ntahompagaze** yakijije Abahutu benshi. Ngo yagenda kuburira abo amaze kumenya ko bimirije gufatwa, kugira babe baranyaga amagara hakiri kare. Ivyo rero yabigira kuko ngo yari yarabanye neza cane n'Abahutu bajana muri Uganda kurobera, ari vyo ubu bita guca ingero.

## MU NTARA YA MAKAMBA NA RUMONGE

42. Muri Makamba haravugwa umugabo yitwa **Bikandagira**, Umuhutu yanyegeje Umututsi Bankuwabo rugeranyeko mu 1972. Ico gihe Abatutsi bariko barahigwa nabo bita Mayi Mulele. Uwundi yakoze igikorwa c'iteka nk'ico ni **Nyankiyubusa Gabriel** yakingiye Jean Bankuwabo n'umuryango wiwe bari bamaze kugwa mu minwe y'aba Mayi Mulele.

43. Abantu bitanze mu 1972 muri iyo ntara y'ubumanuko, ni benshi cane bamaze kumenyekana mu mugwi CVR. Nk'aha twovuga abitwaba **Munoga**, **Nyongeye Daniel**, **Mugara**, **Sylidie** wo mu Rutegama, **Nziza Bonaventure** yigeze kuba umukuru wa zone Gishiha, **Jacques Ndamugoranywe**, **Baharirwa**, **Buraheteye**, **Ntandikiye**, na **Sindabahwanya Pasteur.** Abo bose ni abantu babaye inkingi z'amahoro n'Ubuntu hariya muri Komine Vugizo.

44. Haravuzwe na Ntahiraja Léonidas yakijijwe n'uwitwa **Bucumi Isidore,** kubera ngo yahora asangira urwarwa na se wiwe. Haravuzwe kandi uwitwa Ndikumana Sira yakingiwe ubuzima n'uwitwa **Gabriel Bitama**, Umuhutu. Nawe uwitwa Kagoma Joseph, yemeje ko we n'umuryango wiwe bakingiwe ubuzima n'Umututsi yitwa Yohani. Aho hari mu Rumonge.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président

40. Muri komine Vumbi, muri Arrondissement ya Kirundo ibara ryaraguye mu 1972. Ariko ngo « Imanga ntimarira Imana ». Uwitwa Baransananiye yarashoboye kurokoka. Yari umupolisi w'Umuhutu, kandi yemeza ko yarokowe na Musitanteri w'iyo komine nyene bivugwa ko yariko arahiga Abahutu.

41. Aho nyene mu ntara ya Kirundo, haravugwa Umututsi yitwa **Emmanuel Ntahompagaze** yakijije Abahutu benshi. Ngo yagenda kuburira abo amaze kumenya ko bimirije gufatwa, kugira babe baranyaga amagara hakiri kare. Ivyo rero yabigira kuko ngo yari yarabanye neza cane n'Abahutu bajana muri Uganda kurobera, ari vyo ubu bita guca ingero.

## MU NTARA YA MAKAMBA NA RUMONGE

42. Muri Makamba haravugwa umugabo yitwa **Bikandagira**, Umuhutu yanyegeje Umututsi Bankuwabo rugeranyeko mu 1972. Ico gihe Abatutsi bariko barahigwa nabo bita Mayi Mulele. Uwundi yakoze igikorwa c'iteka nk'ico ni **Nyankiyubusa Gabriel** yakingiye Jean Bankuwabo n'umuryango wiwe bari bamaze kugwa mu minwe y'aba Mayi Mulele.

43. Abantu bitanze mu 1972 muri iyo ntara y'ubumanuko, ni benshi cane bamaze kumenyekana mu mugwi CVR. Nk'aha twovuga abitwaba **Munoga**, **Nyongeye Daniel**, **Mugara**, **Sylidie** wo mu Rutegama, **Nziza Bonaventure** yigeze kuba umukuru wa zone Gishiha, **Jacques Ndamugoranywe**, **Baharirwa**, **Buraheteye**, **Ntandikiye**, na **Sindabahwanya Pasteur.** Abo bose ni abantu babaye inkingi z'amahoro n'Ubuntu hariya muri Komine Vugizo.

44. Haravuzwe na Ntahiraja Léonidas yakijijwe n'uwitwa **Bucumi Isidore,** kubera ngo yahora asangira urwarwa na se wiwe. Haravuzwe kandi uwitwa Ndikumana Sira yakingiwe ubuzima n'uwitwa **Gabriel Bitama**, Umuhutu. Nawe uwitwa Kagoma Joseph, yemeje ko we n'umuryango wiwe bakingiwe ubuzima n'Umututsi yitwa Yohani. Aho hari mu Rumonge.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

45. Amaja ku Mugara, muri Rumonge, hari umupfasoni yemeje ko yakingiwe ubuzima n'uwitwa **Mponeyinze Célestin.** Uwo mugore yarabwiye umugwi CVR n'ayandi mazina menshi y'Abahutu bakingiye Abatutsi bari bageramiwe n'abitwa Mayi Mulele mu 1972 aho nyene ku Mugara. Muri abo bagiraneza yavuze, babaye inkingi z'Ubuntu, hakaba harimwo umupastori yitwa **Banderembako**. Uyu nawe akaba yanyegeje Abatutsi 6 mu nzu iwe, kandi aba Mayi Mulele ntibigeze babica n'ikanda.

Abandi umugwi CVR umaze kumenya babaye inkingi z'Ubuntu aho mu ntara ya Rumonge, ni nka **Nibaruta Augustin**, **Kayihungu Nicodème** na **Maronko Barthélemy**.

46. Mu Ruyigi haravuzwe uwitwa **Gasuguti Gratien** yari comptable i Kinyinya, **Niyondagara** yigeze kuba umutware i Muriza ; **Vyunga Raymond** yari umukuru w'umutumba Bugiga, **Jean Barabwiriza** na **Dismas Rukwabagara**, umukonseye w'i Nyakuguma yitwa **Rumira**, umushingantahe **Nzeyimana Damase** w'i Gitanga muri Rutana, na **Nyambwa François** wo ku Mpinga.

47. Mu matohoza Umugwi CVR wagize muri 2022, mu ntara ya Bujumbura, haravuzwe kenshi umushingantahe **Ngaruko** yakingiye abantu bo mu Ruyaga, Muyira, Kanyosha na Mutimbuzi, gushika naho bari basigaye bamuyaga umugani ngo : *« Ngaruko yagarukiye Abahutu ».*

48. Inkingi z'Ubuntu Umugwi CVR umaze kumenya ni benshi cane : abo ni nka **Shimiti Protais**, umunyarwandakazi **Nsabimana Immaculée**, **Kanyarushatsi Clément** wo muri komine Bugenyuzi, abasirikare Caporal **Ladislas** na **Gabriel Nzisabira** ; **Joseph Rwemera** w'i Gashikanwa mu ntara ya Ngozi, **Kanyabuyonga** w'i Matongo na **Gervais Kabwabo** wo mu ntara ya Kayanza ; umutozakori **Albéric** w'i Rango ; **Raphael Ntibashirakamwe** wo muri komine Butaganzwa mu ntara ya Kayanza ; **Tabaro Stanislas** wo mu Cibitoke ; hamwe na **Simoni Baragwandika** w'i Gitega.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

49. Mu mugwi CVR, abantu bamaze kuvugwa mu gihugu cose, ni **11.378** babaye Inkingi z'amahoro n'Ubuntu. Mu gisagara ca Bujumbura : 226 ; mu ntara ya Ngozi : 1.071 ; mu ntara ya Karusi : 511 ; mu ntara ya Mwaro : 250 ; mu ntara ya Muramvya : 880 ; mu ntara ya Ruyigi : 460 ; mu ntara ya Rumonge : 587 ; mu ntara ya Bururi : 388 ; mu ntara ya Makamba : 434 ; mu ntara ya Cibitoke : 319 ; mu ntara ya Bubanza : 616 ; mu ntara ya Kayanza : 746 ; mu ntara ya Kirundo : 1.225 ; mu ntara ya Rutana : 423 ; mu ntara ya Gitega : 1.568 ; mu ntara ya Muyinga : 1.142 ; mu ntara ya Cankuzo : 108 ; mu ntara ya Bujumbura : 424.

Umugwi CVR aho ugejeje ibikorwa urabona ko mu gihugu hari inkingi z'amahoro n'ubuntu nyinshi ; zashoboye gukiza ababanyi mu bihe vy'ubwicanyi butandukanye bwashikiye igihugu cacu. Rusansuma iriko irategurwa n'uyu mugwi CVR izofasha kumenya izo nkingi z'ubuntu zarokoye abari bageramiwe.

50. Abo bantu b'umutima ni abavuzwe mu gihe co mu rwimo Uburundi bwagiye buracamwo : mu 1965, 1969, 1971, 1972, 1988, 1991, 1993 n'inyuma yaho, kugera muri 2008. Barabaye intwari, barakingiye abo badasangiye ubwoko. Ni abagabo n'abagore, bamwe bari indongozi, abandi bakaba abenegihugu basanzwe, harimwo abirimizi n'abanyamyuga, abajejwe umutekano n'abasivile, harimwo mbere n'abihebeye Imana.

51. Muri abo bose tubabwiye, hari abo ata nkurikizi mbi zabashikiye. Ariko hari n'abandi babizize : hari abagiriwe nabi, hari abatujijwe, hari abakubiswe, hari abagandaguwe, hari n'abataye ingo zabo barahunga itotezwa bahavuye bagirirwa. Ariko abo bose, abakiriho n'abapfuye, ineza bakoze ubu ni yo ibashingira intahe.

52. Twavuze mu mwanya uheze umwibutsa w'ikirundi uvuga ngo: *« Imanga ntimarira Imana ».* Niko vyama bigenda mu bihe vyose hateye urwimo. Hama haba ibitangaro Imana ikora, abantu bakarokoka kuko imisi yabo iba itaragera.

REPUBLIQUE DU BURUNDI C.V.R Cabinet du Président COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

53. Ico mwomenya, ni uko imvo zatumye abo bantu b'umutima bemera gukiza abandi ari nyinshi. Reka tubabwire zimwe mu zo bagiye bariganira umugwi CVR :

- Ubwa mbere : Hari abavuze ko bakize kubera babitiranije n'abo mu bundi bwoko.
- Ubwa kabiri : Hari abandi bavuze ko bafashijwe n'abo mu bundi bwoko guhunga. Abo ni nka bamwe twavuga bari bafashwe, canke bari kwa muganga, canke ku bitalo canke ku mavuriro. Aba rero bamwe, ngo hari ababanza kwigura, canke gutanga amafaranga, inka canke ibindi bitungwa.
- Ubwa gatatu : Mu mugwi CVR twaramenye n'abandi bantu bakize kubera bakingiwe n'abatware, ivyo navyo bano batware ngo bakaba babikora uko, kubera baziga ivyiza bazogirirwa n'abo bakijije.
- Ubwa kane : Hari abandi bantu benshi bari bageramiwe maze bakira kubera bafitaniye ubucuti n'abo mu bundi bwoko : uri abo bahaye abageni, uri abo bagiye gusaba abageni...
- Ubwa gatanu ari bwo bwa nyuma : Hari n'abandi rero bemeza ko ubucuti buciye mu kwemera Kristu canke Imana, bwababereye kirumara gusumba ubucuti bw'amaraso. Abo nabo ni nk'Abahutu n'Abatutsi bari baravyaye kw'ibatisimu, canke bari barahanye abana b'ibatisimu. Barya bihebeye Imana bakijije abandi, bo mwumvise ko babikora nk'abasuku ba Yezu Kristu nyene, kuko bavuga ko muri Kristu twese tuvukana, ata muhutu, umututsi, umutwa canke umunyamahanga aba akivugwa !

*Banyakubahwa mwese,*

Iki kiganiro twipfuje kugisozerera aho twagitanguriye : Ubwo kumenya abakijije abandi biroroshe ? Abakijije abandi babonwa gute mu kibano ? Abakijije abandi biyumva gute mu miryango yabo ?

Murakoze mwese kudutega amatwi. Imana ibahezagire.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

**MURAMENYA NEZA !**

**UMUNTU ARASHOBORA GUKIZA UMUNTU UMWE NGAHA, AKICA CANKE AKICISHA ABARENGA 10 AHANDI**

**UMUNTU ARASHOBORA GUKIZA ABANTU BENSHI MU 1972, AKABA UWA MBERE MU KUGANDAGURA ABANTU MU BWICANYI BWAKURIKIYE (1988, 1991, 1993,…)**

*************

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION